ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »


Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 498 kuva kuwa 27 Gitugutu– 03 Munyonyo 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°498 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 03 Munyonyo 2025, abantu bashika 845 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 85 barasubiriye kuboneka abandi 760 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'ishirahamwe mpuzamakungu ukorera ku babuzwe irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi 252[1] babuzwe irengero.***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

**Ishirahamwe ITEKA :**

- ***Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),***
- ***rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.***
- ***Umuhari Iteka ugizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32***

## *IMPFUNYAPFUNYO*


*0. INTANGAMARARA*.......... 1
*I. IBIRIMWO* .......... 1
*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE*.......... 1
*I.2. UMWIHWEZO WUMUTEKANO* .......... 2
*I.3. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE* .......... 3
*I.4. UMWIHWEZO W'INTWARO*.......... 5
*I.5. ISHUSHO Y'IBIDUKIKIJE* .......... 6
*I.6. ISHUSHO YO UGUSHIGIKIRANA* .......... 7
*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE* .......... 8
*II.1. UBURENGANZIRA U BUZIMA* .......... 8
*II.1.1. ABANTU BISHWE NABICANYI BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE* .......... 8
*II.1.2.UKUNYURUZWA HAMWE NO UBURA IRENGERO*.......... 10
*II.2. U KWIYUMVANAMWO MURI VYOSE* .......... 11
*II.2.1. U KUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA,UGUFATWA BUNYAMASWA NAYANDI MABI ATAGIRA IZINA*.......... 11
*II.2.2.UGUFATA KUNGUVU*.......... 12
*III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE NIMICO KAMA*. 12
*III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI* .......... 12
*IV. UGUSOZERA HAMWE NIBISABWA* .......... 14

| Urutonde rw'ibirimwo | Urupapuro |
|---|---|

| | |
|---|---|
| ***BSR*** | *: Inzu idasanzwe yubushakashatsi* |
| ***CDS*** | *: Ikigo camagara y'abantu* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urunani rukingira intwarorusangi* |
| ***CNIDH*** | *: Umugwi wigihugu wigenga uharanira agatea ka zina muntu* |
| ***CNL*** | *: Inama yabanyagu yabanyagihugu iharanira uishira no wizana* |
| ***FAB*** | *: Igisiriare c'uBurundi* |
| ***FARDC*** | *: Igisirikare ca Kongo* |
| ***FDLR*** | *: Urunani ruharanira intwaro rusangi yo kubohoza uRwanda* |
| ***FDNB*** | *: Ingabo zikingira igihugu c'u Burundi* |
| ***FLN*** | *: Urunani rwo kubohoza igihugu* |
| ***M23*** | *: Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante* |
| ***OPJ*** | *: Inyamiramabi* |
| ***PNB*** | *: Igiplisi c'iguhugu c'uBurundi* |
| ***RDC*** | *: République Démocratique du Congo* |
| ***RN*** | *: Ibarabara ry'igihugu* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***UFB*** | *: Urunani rw'abaenyezi b'abarundikazi bahurikiye mu mugambwe Uprona* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |
| ***TGI*** | *: Sentare nkuru* |
| ***VSBG*** | *: Amabi afatiye u gitsina* |

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi muri iyindwi yo ku wa 27 Gitugutu-3 Munyonyo 2025. Muri iki cegeranyo, umuhari Iteka urihweza kandi ivya politike, umutekano, ubutungane, intwaro ubutunzi hamwe no gushigikirana. Kiranihweza kandi ibintu vyerekana amabi akorerwa abantu no muri poitike, uburenganzira bw'imibano-ubutunzi hamwe n'imico kama.

*A*mabi ku gateka ka zina muntu yabnetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira muri kino kiringo : n'imiburiburi abantu 5 bishwe bose batowe ibiziga, abantu 3 banyurujwe,ummwe yafashwe ku nguvu w'umwana afise imyaka iri musi ya 18 hamwe n'umuntu yaborejwe igufa.

Mu bakorewe amabi, ibiziga 3 harimwo ico umukobwa ummwe hamwe n'abagore 2; ikiziga c'uruyoya hamwe n'abanywanyi ba CNDD-FDD 3 banyurujwe.

Imbonerekure z'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, abakozi b'igendereza; abapolisi hamwe n'abatware bagirizwa kuba ahanini arikko bakora ayo mabi y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE*

***Ukutihanganiranira muri politike muri komine Musongati intara ya Burunga***

Ku wa 28/10/2025 ku mutumba Giharo wo muri komine Musongati intara ya Burung,umupfasoni Capitoline umunywanyi w'umuhari wabakenyezi bahurikiye mu mugambwe UPRONA,"UFB" mu mfunyapfunyo yarakubiswe gushika aho ahakwa gupfa, n'umunywanyi wiwe yitwa Nadine, umwigisha wo mw'ishure shingiro Nyaburange umunywanyi w'umuhari w'abakenyezi bahurikiye muri CNDD-FDD akaba umugore wa Joseph.

Imvo nyamukuru yatumye Nadine aboreza igufa umupfasoni Capitoline n'uko Capitoline yoba yarareze umushingantahe Joseph (umugabo wa Nadine) ko yazibiye irembo ryo muhira iwabo mu kuhatoragura no kuhashira ikirundo c'amatafari. Nta nakimwe cakozwe kugira hahagarikwe uwo yikekwako icaha nah nyene uwaborejwe igufa yababaye cane gushia aho aja wivuza ku bitaro aho yamazeyo imisi irenga 2, kubwo amasoko dukurayo.

Ubwo ayo masoko nyene,uwuba mu yahoze ari komine Giharo yaratomoye ko"ubu,abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD bonyene nibo bica bagakiza iMusongati kandi mugihe mutari umunywanyi wa CNDD -FDD,mushobora guhohoterwa igihe cose kandi ntabutungane ku bahohotewe".

## *I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

### *Umuntu umwe yarakomerekejwe n'Imbonerakure muri komine Ruyigi,intara ya Buhumuza*

Mw'ijoro ryo ku wa 27/10/2025, hafi igihe cisaha 21, ku mutumba Sorero,muri zone Butezi,ku mugwa mukuru wa komine Ruyigi, intara ya Buhumuza. Edouard Nimenya, umusore w'Imbonerakure yumugambwe CNDD-FDD, umudandaza yaraturubitse mugenziwe akoresheje imbugita.

Bigitangura, amatati ku mahera angana na 50 000fbu abo basore 2 bari baraye batoje, muguca ihadabu abadandaza bo ku mugwa mukuru wa Sorero. Abo bagirizwa kutubahiriza amasaha yo kugara utuzu tw'ubudandarizo mugihe c'ikizura ry'urwaruka rw'Imbonerakure mw'ijoro. Indyane zarabandanije gose mugihe bariko bagabura inyungu, bizana impari zahavuye zituma hagwa ibara. Bimaze kumera nabi, Edouard yarahunze, ariko ihunga ryiwe ryabaye iryo akanya gato.

Bukeye bwaho mugatondo, hafi igihe c'isaha 1, yarafatiwe muri zone Bwagiriza, mugihe yariko agerageza guhunga n'ipikipiki.Ubwambere yapfungiwe mw'ibohero rya zone Butezi, munyuma arungikwa muri komisariya y'igipolisi co mu ntara mu Ruyigi, aho arindiririye urwo azokatirwa. Muri ico gihe, Albert yakomerekejwe, yatebukanywe ku bitaro vy'iButezi kugira avugwe.

### *Indyane hagati y'abayoboke b'ishengero ryo ku musi w'indwi hamwe n'aba siramu inyuma y'urupfu giturumbuka muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza*

Ku wa 28 Gitugutu muri zone Kayongozi, komine Ruyigi, intara ya Buhumuza, neza na neza mu nkambi y'impunzi z'abanyekongo y'iNyankanda, habereye urupfu giturumbuka rw'uwitwa Pendo umugore wa Selemani, bose bafise akabira ka Kongo.

Inyuma y'urwo rupfu harabaye intambara mugihe Pendo n'umugabo wiwe badasangiye ukwemera. Pendo asenga mw'ishengero ry'umusi windwi mugihe Selemani ari umu siramu. Aba siramu bashatse kumuhamba bakurikije imigirwa yabo mugihe abayoboke b'ishengero ryo ku musi w'indwi bashaka ko ahabwa hakurikijwe imigirwa y'iwabo. Izo mpande uko ari zibiri ntizashoboye kwumvikana, aba siramu barimvye ikinogo abandi nabo bimba ikindi kinogo.

Mu kinogo cimbwe n'abayoboke b'ishengero ryo ku musi w'indwi bashizeyo ikiziga ca Pendo mu gihe mu kinogo cimbwe naba siramu bahateye igitoke.Ikintu kitamenyerewe catangaje abantu benshi bari bahari.

### *Umwana umwe yarafuye mw'isanganya ry'umuriro muri komine Karusi*

Ijoro ryo kuri uyu wa mungu rishira uwambere 25/10/225 hafi isaha 1 y'ijoro muri karatiye Taba, umututumba MWOYA, zone BUHIGA ya komine KARUSI umugabo yitwa Casimire, w'umu CNDD-FDD afise imyaka 36, akora akazi ko kunguruza abantu ku pikipiki, umugore wiwe hamwe n'umwana wiwe afise imyaka 2 barahuye n'isanganya ry'umururo. Ivyo vyabaye mugihe yariko asuka igitoro mw'icupa iruhande y'imbabura yakije hanyuma bafatwa nurubeya gushia aho umwana apfa batarashika ku bitaro vyiBuhiga. Uwo mugore n'uwo mugabo bari mu bitaro vyitiriwe imyaka 50 vy'Ikarusi ario barababaye cane kubwo ibishikirizwa n'ababanyi.

## I.3.ISHUSHO RY'UBUTUNGANE

### *Ipfungwa ry'abanyeshure inyuma y'iturirwa ry'ishure Green Hills International college y'iGitega*

Kuva ku musi wa kane 23/10/2025, uko abanyeshure bahagaritswe n'igipolisi c'iGitega kibisabwe n'umushikirizamanza wa Repuburika wa sentare ya Gitega biraraje ishinga abahaba. Ivyo babagiriza vyerekeye umuriro wadutse mwijoro ryo ku wagatatu hashira uwa kane 23/10/2025, hafi igihe c'isaha z'ijoro,kw'ishure Green Hills International College, iri muri karatiye Bwoga (Kumusave), iruhande y'ishure y'ibikorwa vya Reta ry'iGitega. Kubwo amatohoza yambere, amazu akorerwamwo umuyobozi w'ishure hamwe n'ayakoreramwo umuyobozi w'ivyigwa yaratokombeye cane n'urubeya inyuma yaho ivyuma vy'ishure bibika amasanamu bimenaguriwe. Abagirizwa ayo mabi boba barihishije mu kwifuka mu maso, ivya bigora ku bamenya. Mu gatondo ko ku musi wa kane 23/10/2025, itohoza ryaruguruwe, rishika kw'ihagarikwa ry'abanyeshure 25 bikekwa kuba baragize uruhara muri ayo mafuti. Urwo rwaruka rwarajanywe rutabwa mw'ibohero rya komisariya y'intara y'igipolisi ya Gitega, mu kurindira ibikwirikira vyo mubutungane.

Inyuma yo gufatwa, amanama menshi y'imishikirano yarabaye hagati y'abavyeyi b'abanyeshure n'abarongozi mu butungane no mu gipolisi. ubwo amakuru twatorokanije, bumvikanye ko umuvyeyi wese w'umwana yagiye murivyo yategerezwa gutanga gushika ku mahera angana na 4.65.500fbu kugira basubirize ivyononywe n'umuriro. Ariko rero, abavyeyi bamwe bamwe ntibashimye iyo ngingo, bishimikije ko bahurikiye mu mugambwe CNDD-FDD. Uko kutumvikana vyaruhiye gutuma umushikirizamanza mukuru, Nishemezwe Felicite, abijamwo, ategeka gutyo kwimurira abanyeshure bafunzwe mu mabohero atandukanye, ivyazanye inyinyurana kuri uyu wa kane 30/10/2025.

Kubwo iryo soko nyene, ingingo zikurikira zarafashwe : abanyeshure 5 b'abana bararekuwe, mugihe abandi 5 (harimwo abahungu 3 n' abakobwa2) barungitswe mw'ibohero rikuru rya Gitega. Abasigaye uko ari 15 bakwiragijwe mu yandi mabohero mu gihugu, harimwo ibohero rya Ruyigi n'irya Ngozi. Twomenya ko itegeko rigenga amashure mu Burundi rihari ubu (itrgekoo shikiranganji nomero 610/1076 ryo ku wa 17/7/2017) ridategekanya bimwe biboneka ingingo zijanye no guturira canke kubomora babishaka amatungo y'ishure. Ariko rero, umucamanza twabajije yashikirije ko ibintu nkivyo biri mw'itegeko mpanavyaha ry'uBurundi, rihana ryivuye inyuma ivyaha nko guturi ubishaka, gusambura ibintu vya Reta canke vy'abigeng, hamwe no kunyegeza ivyemezo. Ivyo vyabaye rero bifatwa nk'ivyaha bihanwa na sentare kandi atari amakosa asanzwe y'indero, bisigurwa n'uwo mucamanza yabajijwe. Twomenyesha ko mugihe c'ukwandika ayo makuru, itegeko ryo kurungika abo banyeshure muyandi mabohero bitari bwaje mungiro.

### *Urubanza rwo muri sentare y'icese imbere ya sentare nkuru yo mu Rutana mu ntara ya Burunga*

Ku wa 29/10/2025, sentare nkuru yo mu Rutana yarahanishije mu ntahe y'icese y'icaha c'itonga Alexis KWIZERA (agendesha imodoka yo mu bwoko bwa probox) na Ferdinand MANIRAKIZA (umudandaza) umunyororo w'amezi 6 hamwe n'ihadabu y'amahera angana na 1000000fbu umwe wese kubera guhungabanya umutekano w'ubutunzi bw'iGihuhu.

Mu bisanzwe,Manirakiza Ferdinand yaba ku mugwa mukuru wa komine Rutana(karatiye Kirwati)yari afise itoni hamwe n'imifuko 10 y'umwavu ukorwa na FOMI yagomba kugurisha mu gihugu ca Tanzaniya aca ahamagara Alexis KWIZERA (agendesha probox) kugira amutware.Bashitse ku mutumba Nyabakara,zone Gakungu,komine Musongati mu ntara ya Burunga,barahagaritswe n"igipolisi caho baca basubizwa mw'ibohero rya komesariya

ya Giharo. Munyuma, barajanywe mu Rutana imbere ya paraka ya Rutana kandi iyo yaciye ijana urubanza muri sentare nkuru ya Rutana kugira habe sentare y'icese ku caha c'itonga.

***Umupolisi yarahanishijwe umunyororo wo guherayo kubera yishe umusore iBujumbura, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura***

Sentare nkuru ya Bujumbura iherutse guhanisha umunyororo wo guherayo umupolisi Arcade, yakoze icaha co kwica Nishimwe Faustin, vyabaye ku wa 18/10/2025 hafi y'ikirimba c'umukuru w'igihugu, hazwi kw'izina rya Ntare House. Kubwo ivyavuzwe mu rubanza, umupolisi Arcade yararashe yararashe Nishimwe Faustin mu buryo bwashavuje abanyagihugu b'iBujumbura. Itohoza ryerekanye ko ari icaha caranguwe categuwe, kitagira insiguro yemewe, kigamije ubwicanyi bubabaje bw'umusore.

Inyuma y'imisi myinshi apfunzwe ivyo agateganyo hamwe no kumvirizwa ku mugaragaro, sentare nkuru ya yaciye urubanza : Arcade azomara ikiringo asigaje kubaho ari mw'ibohero.

Uwishwe, Nishimwe Faustin, yarapfunzwe kuri uwu wa gatatu 29/10/2025 mw'itongo ry'abapfuye ryo ku Mpanda, hari umuryango wiwe, hari abamwegereye hamwe n'abantu benshi baje kumusezera iryanyuma. Ikiziga ciwe cari cabitswe mu buruhukiro bw'ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge kuva umusi ibara rigwa.

Yubatse kandi afise abana 3bakiri bato, Nishimwe asize umuryango mukangaratete. Umupfakazi wiwe yashikirije, n'ibigumbagumba, icizere ciwe ko ubutungane buzokora neza kandi ko akabi nk'ako katosubira kuba.

***Abasore 14 bahagaritswe kubera urunani bikekwako rurwanya umukuru w'umutumba Mwange, zone Kizuka, komine Rumonge, intara ya Burunga***

Ku wa 27/10/2025, umuhari Iteka wara waratakambiwe kuvyabaye imisi mike imbere yaho, ku wa 23 Gitugutu. Abasore 14 bahurikiye mu mugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FD, batazira mu kibano abasatirizi, barahagaritswe ku mutumba Mwange, muri zone Kizuka, muri komine Rumonge, intara ya Burunga. Amakuru avugwa amenyesha ko bakurikiranwa ku runani bikekwako rugamije kurwanya umukuru w'umutumba. Kubwo inkuru zigwiriye, urwo rwaruka rwoba rwarasabikanije ubutumwa bw'amajwi burimwo ivyoba bitangaje kuri uwo musi. Igipolisi caramenyesheje ko iyo nkuru ariyo itohoza ririko rirakorwa rihagazeko.

Abo bantu 14 barapfunzwe ico amaso muri komisariya y'intara mu Rumonge,aho bishuye ku bibazo vy'abakora amatohoza. Ivyabona vyari bihari vyariganye ko urwaruka rwafashwe barwanije umukuru w'umutumba yaheruka gutorwa mu matora yo ku wa 25/8/2025. Iryo torwa ryari ryanateye uruhagarara ruboneka : umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine Rumonge wari wagerageje kwanka kuryemeza imbere yo gushigikirwa n'abanyagihugu benshi.

Abagabo, abagore hamwe n'abantu bakuze bari bakoranye kugira bagira bugarize kuri parake ya Repuburika mu Rumonge, basaba n'ishaka ko umukuru w'umutumba yorekurwa, aheruka gufatwa kubera yagirizwa inyonyezwa ry'itunga ry'igihugu. Kubera uko gusatira birenze kw'abanyagihugu, parake yaruhiye kubiheba, iramukura mu munyororo, bongera baranamushikiriza ku mugaragaro inyuma yo gushikiriza ivyavuye mu matora vyagizwe n'umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mw'ikomine.

Muri iki gihe, amatohoza ariko arabandanya muri parake ya Repuburika mu Rumonge, kugira bashire ahabona ukuri nyako kuri mu butumwa bavuganye hamwe n'uburemere bw'urunani rwikekwa, nk'uko yabishikirije uwurongoye igipolisi atashatse kumenyekana.

### *I.3.ISHUSHO RY'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 4)*

***Umumenyereza w'umugwi wa bibiriya mw'ishengero Anglicane arapfunzwe muri komisariya ya Rumonge mu ntara ya Burunga***

Uwitwa Nibizi Eric, umumenyereza w'umugwi wa bibiriya muri Anglicane kw'ishure Christ Roi yo mu Buyengero, komine Rumonge, intara ya Burunga arapfungiwe mw'ibohero rya komisariya y'igipolisi co mu Rumonge kuva ku wa 16/10/2025, yagirizwa gufata ku nguvu umunyeshure E., afise imyaka 18 yiga mu mwaka wa 2IG kuri iryo shure nyene, akaba avuka ku mutumba Gasenyi,zone Mudende, komine Rumonge.

Kubwo ibivugwa nuwononywe, yavuze ko yari yamuhamagaye mu mpera z'igice ca gatatu 2024-2025(27/6/2025), kandi yamufashe ku nguvu avuga ko agomba kumukurako umuvumo kandi mukwisunga amajambo y'Umukama. Twomenya ko yavuze kenshi ko afise umuvumo umwugarije. Inyuma y'ivyo vyabereye munzu abamwo yabavugabutumwa, b'ishengero Anglicane bo ku mugwa mukuru wa zone Muyama, komine Rumonge, umukobwa yariganye ivyabaye umugenzi wiwe yamuhanuye kuja ku bitaro vya Muyama kugira avurwe aca asanga afise imbanyi atifuza. Kubera uburuhuko bukuru bwagomba butangure, vyaramugoye kwitwara mu gipolisi. Uwikekwako icaha yarahagaritswe ku wa 16/10/2025, aca ajanwa muri komisariya y'igipolisi mu Rumonge.

Urubanza ruri muri parake yo mu Rumonge, rwategerezwa kumwirizwa ku wa 29/10/2025, ariko yavuze ko arindiriye ubufasha bw'umwunganizi. Azokwitaba ku wa 3/11/2025. Kubwo uwo yahuye n'ivyago, asaba kandi ubufasha bw'ubutungane ibitakunze kubera kubura uburyo kugira amuronke.

### *I.4.UMWIHWEZO W'INTWARO*

***Gushiraho uburyo bushasha bushoboza abanyagihugu gushikiriza ingorane zijanye no kwiga ivyabo mu bushikiranganji bw'ubutunzi***

Umushikiranganji w'ubutunzi mu Burundi aherutse gushiraho ubuhinga bushasha bwo gushoboza abanyagihugu gushikiriza ingorane zijanye n'ibintu vyabo. Imvo nyamukuru ni ukwegereza intwaro abanyagihugu, guteza imbere itunganywa ryiza hamwe no kuzana umuco n'ishaka mu bufasha ku banyagihugu.

Mubisanzwe,ku wa 27/10/2025, mu butumwa bwamenyeshejwe abanyagihugu buvuga ko mu ntumbero yo kubandanya bateza imbere akanovera k'ubufasha bw'abantu,ibiro vy'ubwo bushikiranganji bwarasabikanije ama nomero ya terefone yo mu bushikiranganji hamwe n'umunyamabanga abantu bazohamagara mu gushikiriza ingorane bahura nazo nk'ugutakaza ibintu canke ukutiga ivyabo mu kiringo c'imisi 30.

Vyongeye,yaboneyeho ako karyo kugira amenyeshe abanyagihugu imisi umushikiranganji atangirako imibonano.Ni ku wa kabiri, ku wa gatatu hamwe no kuwa kaneguhera igihe c'isaha 9.

Iyo ngingo yashizweho mugihe ubwo shikiranganji bw'uBurundi buraba ivyo ubutunzi buhura n'intambamyi nyinshi zikomeye zibangamiye ubw bushikiranganji hamwe no gutsimbataza ubutunzi bw'igihugu. Mu ntambamyi nyamukuru, hariho kubura uburyo, amahera make bakoresha, ibiturire nko mugutoza amakori hamwe no mugukora imigambi ihabwa uburyo n'ibanki y'isi yose, kutagira ivyuma nyabwonko vykoreshwa mu gutunganya ivy'ubutunzi bwa Reta, intambamyi zijanye no gutanga amasoko ya Reta, abaguma basaba guhindura ahashirwa uburyo bishobora guhungabanya integuro hamwe n'ishirwa mungiro y'imigambi, gukoresha nabi amatungo ya Reta ku bategetsi

### *I.4.UMWIHWEZO W'INTWARO (Ibikurikira urupapuro 5)*

bamwe bamwe mu kubukoresha mu vyabo,gutyo bikazana ubusumbasumbane buciye kubiri n'amategeko. Ugucererwa mu gushira mungiro imigambi ihabwa uburyo n'ibanki y'isi yose hamwe n'ishirahamwe FIDA navyo ni intambamyi mu gushira mu ngiro intumbero ubwo bushikiranganji bwihaye.

Two menyesha nk'akarorero, mu mwaka wa 2024-2025, amahera yakoreshejwe muyari yatanzwe n'ibanki y'isi yose ni 13,3% kuri 25% yari yategekanijwe.

Mu gusozera, kugira bukureh izo ntambamyi, ubushikiranganji bw'ubutunzi hamwe n'indongozi z'uBurundi babwirizwa gushiraho ingingozikomeye zigamije guteza ibere itunganywa ry'uburyo bwa Reta, gukmeza gukorera ku mugaragaro hamwe n'ishaka, hatibagiwe guteza imbere ubutunzi burama kandi kuri bose.

#### *Kubura umwavu muri komine Kirundo mu ntara ya Butanyerera*

Muri komine Kirundo, abarimyi bari mu kababaro karenze. Barasemerera, bihebuye, imbere y'intambamyi idahera : Umwavu haciye igihe kinini barishe ntibarigera bawuronswa. Ubu, mugihe umwaka w'irima A turi muriwo, abari barasavye umwavu wagenewe igice C ca 2025 ntibararonka utwabo. Karigunguza, nta cizere co kuwuronka, kubera n'abitegurira igice A ca 2026 bahura n'izo ngorane nyene. Mugihe c'iyimbura ku gice C'umwimbu ntiwashikiriye uwari witezwe, ahanini kubera kubura umwavu bikabije, naho bari bayasavye kandi bayarishe kugihe.

Uburongozi, ku bibwerekeye, baguma bihoreye kandi nta n'insiguro n'imwe butanga. Turavye ivyerekeye igice A co muri 2026, haharugwah hafi 30% basavye batarose, bigatuma haba guceregwa mw'itera bibabaje. Abayatanga, babika udupapuro bayasabiyeko, baremereye abarimyi ko bazobibamenyesha kugira batore amase bamaze kuriha. Ariko naho ikiringo c'itera cari carenganye, ivyo bari babemereye ntivyigeze bija mu ngiro.

#### *Intwaro mbi y'umuyobozi w'ishure rikuru rya komine Mwaro I mu ntara ya Gitega*

Umuyobozi w'ishure rikuru rya komine Mwaro I Celestin Nduwimana yategetse abanyeshure bo kuri iryo shure, haciye indwi 2, ko boriha amahera angana na 2000fbu umwe wese kugira bimoshe kw'ishure. Ariko gushika ubu uwo abamwa yava hanze y'ishure ntaraza na rimwe. Kuri uyu wa kabiri abanyeshure bari bumvise havugwa uwubamwa yari kuza kandi barumvise ariko yamoye abatarenga 3 bonyene. Bamwe batashe hafi igihe c'isaha 1 y'ijro batimosheje, mugihe ayo mahera yatanzwe kw'itegeko ry'uwo muyobozi. Ingingo iraba abanyeshure bose.

Ariko ku yandi mashure nk'ishure rikuru rya Mwaro, ishure biga bararayo riri mumicungararo, abanyeshure biga bataha iyo ngingo ntibaraba.

### *I.5. ISHUSHO Y'IBIDUKIKIJE*

#### *Imvura y'isegenya, yononye vyinshi muri komine Makamba, intara ya Burunga*

Imvura y'isegenya yaraguye muri komine ya Makamba, iri mu ntara ya Burunga,bizana amabi menshi. Hari ku wa 29/10/2025, igihe, inyumaya y'umutaga, imvura nyinshi irimwo umuyaga w'igihuhusi yatanguye knona imirima. Ibigereranywa vyambere bivuga abantu 2 bapfuye, inzu 117 zabomaguritse hamwe n'ibirase vy'ishure shingiro Gashonge, vyari vyabomotse, bisiga abahaba mu kangaratete. Kuvyerekeye ibitungwa, navyo nyene vyarahahoneye.

## *I.5. ISHUSHO Y'IBIDUKIKIJE (Ibikurikira urupapuro 6)*

Ikomine ya Rutana ntiyasigaye inyuma, amabi yarahavuzwe, n'aho ahoyashitse batavuze uko hangana hatari bwamenyekane. Muri uw mwanya, abatware baho bari biyemeje mu birori vyo kwimika umusitanteri mushasha wa komine ya Nyanza, igikorwa catewe iteka n'umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye. Muri ico cuka c'ikiza, abanyagihugu bakozweko batera akamo k'umwiheburo, basaba imfashanyo zihuta kugira baronke aho bakika umusaya kandi bategure gusanura inyubakwa zononekaye.

### *Umwana w'umukobwa yarahasize ubuzima inzu imaze kubomoka kubera imvura ku mutumba Musave,igisagara n'ikomine Kayanza,intara Butanyerera*

Ku wa 28/10/025, inkuru mbi yarakwiragiye yerekeye ibara ryaguye ku w'Imana 26 Gitugutu muri komine Kayanza, intara ya Butanyerera. Imvura y'isegenya yaguye uwo musi yahitanye umwana w'umukobwa afise imyaka 8 kandi isiga amazi ajererenga mu kubomora ibirase 5 vy'amashure shingiro ya Nkonge na Gitwa, ari mu ma karatiye ya Muruta na Nyabihogo. Abarngoye amashure yahuye n'ico kiza ntibatevye gusaba kugarukirwako n'abarongozi babijejwe,batakamba ko ingingo zihuta zofatwa kugira basanure amashure mu maguru masha, kugirango abanyeshure bashobore vyihuta kuronka ahobigira.

Uwo vyahitanye, umunyeshure wo kw'ishure shingiro ya Murago, yari yavuye muhira kugira aje ku mutumba Musave,mu gisagara ca Kayanza, aho yari yagiye kuramutsa abo mu muryango wiwe. Kubwo amahirwe make,ibintu vyayangaye igihe imvura nyinshi yagwa giturumbuka aho hantu,ihitana inzu yarimwo. Inzu yaguye kuri nyamwana yose, aca aritaba imana ubwo nyene. Muri uw mwanya nyene, abandi bana 3 nabo barahagiriye ingorane muri ico kirere kitari citezwe, barakomereka mugihe igisenge c'ibirase 3 vy'ishure shingiro,biri mu karere ka Muruta, vyaguruka. Abana baciye banyarukanwa kw'ivuriro rihegereye kugira baronke ubufasha bukenewe.

## *I.6. ISHUSHO YO GUSHIGIKIRANA*

### *Amarushwa y'impunzi z'abanya Kongo bahungiye mu Burundi*

Impunzi z'abanya Kongo ziri mu Burundi, ziharuwra hafi mu 100.000, ziba mu birindiro vyinshi nko ku kibuga c'inkino co mu Rugombo, inkambi y'Imusenyi, ikirindiro c'iGihanga,Bwgiriza, Nyankanda, Musasa, Kinama na Kavumu, ahura n'intambamyi nyinshi.

Mu bisanzwe, muri iz ntambamyi, harimwo nko kubaho nabi, ingorane zo kuvugwa,mu mashure, uguhohoterwa kandi bifatiye ku gitsina, kubura uburyo bwo kwibeshaho hamwe n'ikumirwa cane cane impunzi z'abanyakongo b'abanyamurenge.

Kuvyerekeye uko babaho,izo munzi zibayeho mubury bugoye, hamwe n'imiryango ikiba mu bizu bidaheze kandi bataronka amazi meza.

Kuvyerekeye ingorane zo kuvugwa, ikirindiro c'iMusenyi nk'akarorero gifise rusehabaniha imwe gusa hamwe n'ikigo c'ubuvuzi gito cane, bigatuma bigorana mu kuvurwa.

Ku ruhande rw'indero,hafi abana 9000 bageze kwiga bafise ingrane zo kuronka uko biga kubera kubura amashure hamwe n'uburyo.

Kuvyerekeye ihohoterwa rifatiye ku gitsina cane cane akorerwa abagore hamwe n'abana, abayagirizwa ni nk'abantu bo mu nkambi y'impunzi, abantu bava hanze y'ikambi, harimwo abarundi bo mu mitumba bihana imbibe, abitwaje ibirwanisho batumye impunzi zihunga Kongo.

Kuvyerekeye kubura uburyo bwo kwibeshaho,izo mpunzi zifise ingorane zo kuronka uburyo bwo kkwibeshaho kandi

zibeshwaho n'imfashanyo zibneka rimwe na rimwe.

Kuvyerekeye impunzi z'abanya Kongo b'abanyamurenge bari mu Burundi, bamerewe nabi biteye ubwoba kubera ibihe vya politike n'umutekano udafashe. Kenshi na kenshi barabinuba kandi babagiriza ibitarivyo kubera ubwoko bakomokamwo hamwe n'amamuko yabo bafata ko ari mu Rwanda. Vyongeye, barabagiriza kenshi ko basumira urusaku abanyarwanda canke bashigikiye umuhari M23, ikibatuma bahamwa, bakorerwa amabi, banka kubemera nk'impunzi kugira baronke ubufasha bw'ibanze hamwe no gushaka kubatahisha ku nguvu.

Kuri izo ntambamyi, amashirahamwe atanga imfashanyo akora hasi hejuru kugira afashe izo mpunzi muvyo zikeneye. Nk'akarorero kavyerekana, ku wa 1/11/2025, ikigo Denise Nyakeru Tshisekedi ryarazanye imfashanyo ku mpunzi z'anamya Kongo zo ku kirindiro c'iMusenyi, muri kmine Musongati y'intara ya Burunga. Barose ibiharage, ifu y'ibigori, umuceri,isukari n'umunyu. Twmenyesha ko mugihe c'itangwa cavyo kuri izo mpunzi,mu bahari harimwo umuhuza w'aBarundi, buramatari w'intara ya Burunga, icegera c'uwurongoye FDNT, hamwe n'abaserukira ishirahamwe ry'ibihugu vyiyunze. Katy Massoulis wa FDNT, yamenyesheje ko ico gikorwa kija mu rukwirikirane rw'igice ca mbere c'imfashanyo zo muri Ndamukiza 2025. Brigitte Eno Mukanga, aseruki HCR mu Burundi, kubwiwe, ubwambere yarashimiye uBurundi ko bwahaye ubuhungiro abanya kongo kandi yarateye akamo :"mu kirindiro ca Musenyi,,haracariyo ingorane kugira dushire imunzi mu buzima bwiza". Yaravuze imiryango ikiba mu bizu bidaheze, ingorabe z'amazi meza hamwe n'abana bashika 9000 bafise imyaka yo kuja kw'ishure batiga.

Kugira bazamure ubuzima bw'impunzi z'abanya Kongo mu Burundi, ishirahamwe Iteka uhamagarira abo vyega gukorera hamwe kugira bakomeze inyubakwa ku birindiro bitandukanye birimwo impunzi, guteza imbere gukingira canecane abanyamurenge, abagore n'abana, kugwanya amabi, korohereza izo mpunzi mu kubanywanisha n'abarundi, nko mukubaha uburenganzira bwo kwiga hamwe no gukwirikirana imyuga bongere babemere nk'impunzi ku babisavye bose, harimwo n'abanyamurenge.

## *II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

### *II.1.UBURENGANZIRA BWO KUBAHO*

### *II.1.1. ABANTUBISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE*

***Itorwa ry'ikiziga c'uruyoya muri komine Cankuzo mu ntara ya Buhumuza***

Ikiziga c'umwana caratwe mu gitondo co ku musi wa kane 30 Gitugutu, iruhande ya sentare y'intango ya zone Cankuzo, komine Cankuzo. Ico kiziga cari cariwe n'imbwa iyerera hasigara umutwe gusa. Biboneka ko umwana yari afise umusi umwe gusa, bigatuma umuntu yiyumvira ko yatawe na nyina wiwe akivuka, hanyuma atorwa n'imbwa mu dushamba turi muri karatiye y'urudandazwa, nkuko vyerekanwa n'amaraso yahasesetse.

Igipolisi hamwe n'abatware baho bamenyesha ko batanguye itohoza,kandi bategura amaziko y'urwo ruyoya.

### *II.1.1. ABANTUBISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE (Ibikurikira urupapuro 8)*

#### ***Ikiziga c'umuyabaga caratowe ku mutumba Mugoboka, zone Nyakabiga, komine Mukaza mu ntara ya Bujumbura***

Inkuru umuhari Iteka warose ku wa 27/10/2025, umenyesha ko ku wa 22/10/2025, ikiziga c'umuyabaga afise imyaka 20 caratwe mu mugaz ufatanya amakaratiye Kiriri na Sororezo ku mutumba Mugoboka zone Nyakabiga komine Mukaza intara ya Bujumbura.

Kubwo ivyabona hamwe n'abantu baba ku Mugoboka uwo mukobwa yoba yiciwe ahandi imbere yo gutabwa muri uwo mugazo uri ku metero 800 y'ikirimba, uwo yishwe kandi yoba yarafashwe ku nguvu imbere yo kwicwa kubera ikiziga cari gusa kandi cari gifise ibikomere vyinshi.

Ico kiziga c'umukobwa atamenyekanye caciye gihambwa ubwonyene n'ubutegetsi mw'itongo ry'abapfuye ry'Isororezo. Abanyagihugu baranegura iyo ngendo kandi basaba amatohoza ashika kugira abicanyi bamenyekane kugira babashire imbere y'ubutungane.

#### ***Ikiziga c'umugore caratowe muri karatiye Magarama, komine n'intara ya Gitega***

Inkuru yadushikiriye ku wa 28/10/2025, ivuga ko yitwa Jeanine Niyonzima ikiziga ciwe catowe ku wa gatandatu 25/10/2025 muhira iwe ku barabara rya 2, karatiye Magarama ya komine n'intara ya Gitega.

Inkuru yemejwe na Felix Nzibarega atwara karatiye ariko avuga ko ivyatumye apfa canke yicwa bitaramenyekana admako ko amatohoza yatangute kugira hamenyekane neza ivyabaye kuri uwo mugore w'imyaka 42.

Abanyagihugu bo mu magarama bemeza ko uwo mugore yishwe kandi basaba amatohoza akwiye kugira abakoze iryo bara bamenyekane. Twomenyesha ko kuri uyu wa 4 ku wa 23/10/2025 uwundi mugore afise imyaka 24 Nadine Irakoze yatowe ikiziga yishwe n'abatamenyekanye iwe kumutumba Zege zone Nyamugari komine n'intara Gitega.

#### ***Ikiziga c'umugabo caratowe ku mutumba Jimbi,zone Kibago,komine Makamba mu ntara ya Burunga***

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 29/10/2025, ivuga ko kuwa 26/10/2025, Ikiziga c'umugabo atamenyekanye catwe mu muserege wo ku gacimbiri Kabaragara, umutumba Jimbi, zone Kibago, komine Makamba intara ya Burunga.

Kubwo ivyabona, ikiziga cari caraboze cane, ibihimba bimwe vyarariwe n'imbwa. Abahaba benshi bibaza ko uwo yishwe yoba yiciwe ahandi imbere y'uko ikiziga gitabwa muri iryo shamba ryinyegeje.

Babatatse, abarongozi baho barategetswe guhamba ikiziga ubwo nyene, bivanye n'urugero rwo kubora, bafashijwe n'akagwi kaho kari mw'ishirahamwe Croix-Rouge.

Ariko iryo torwa ryashize abanyagihugu mu makenga menshi. Abantu baho barababazwa no kubona ko abantu batamenyekanye batanguteye guta ibiziga muri ako karere kahora gatekanye, batinya ko uruhagarara rugwiriranaho bukebuke.

Baricuza kandi ko abarongozi baho batashoboye kubahumuriza kuri ivyo bintu biteye amakenga kandi basaba amatohoza yimitse kugira hamenyekane uwishwe hamwe n'aboba baramwishe.

### *II.1.1. ABANTUBISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE (Ibikurikira urupapuro 9)*

***Ikiziga c'umugore catowe ku mutumba Kanyenkoko, zone na komine Rumonge, intara Burunga***

Ku wa 31/10/2025, ikiziga c'umugore caratowe ku mutumba Kanyenkoko, zone Rumonge, komine Rumonge, intara ya Burunga. Kubera uwapfuye yari azwi mu kaborerwe no mu buhumbu, bibajije ko yari yaguye mu museregе mugihe yariko agerageza ku wujabuka atashe muhira ku mugoroba. Ikiziga caratwawe kandi kiri mu buruhukiro bw'ibitaro vya Bururi.

### *II.1.2. U KUNYURUZWA HAMWE N'UKUBURWA IRENGERO*

***Umugabo umwe yarabuzwe irengero abanje guhagarikwa muri komine Kirundo, intara ya Butanyerera***

Uwagize ivyago yitwa Mworoha, umugabo afise imyaka 37, umunywanyi wa CNDD-FDD aba ku mutumba Nunga, muri zone Kiyonza ya komine Kirundo. Haraciye indwi zibiri, Mworoha yavuye mu Burundi aja kuramutsa mukuru wiwe Karemangingo, ubu aba mu Bufaransa inyuma y'aho ahungiye uRwanda muri 2015.N'aho Karemangingo yarose ubuhungiro mu Bufaransa, ntiyahevye ubucuti n'igihugu ciwe c'amavuko kandi abandanya ahakorera imigambi, nko mu Kiyonza, aho Mworoha afise uruhara rw'umushingwabikorwa.

Umuvukanyi yatumiye Mworoha iKigali kugira baganire imigambi yabo. Umubonano wabo wakomejwe n'amasanamu, kuva ubwo ubwo yazungurutse ku mbuga ngurukanabumenyi. Mundwi iheze, Mwroha yaratashe, ariko ashitse, yarasagirijwe nabamuhamagara kuri terefone bamutegeka kwisigura ku ngendo ziwe. Umukuru w'Imbonerakure, Macumi Pierre, yaajaniranya uko kumubazagiza biteye amakenga n'ibikorwa vyiwe. Ku wa Gatatu, kuwa 29 Gitugutu 2025,umugwi w'abapolisi waragiye iwe mu cizere co kumufata, ariko Mworoha yarashoboye guhunga. Ariko rero, ihunga ryiwe ryabaye iry'imfatakibanza, kubera yarahagaritswe ku wa gatanu 31Gitugutu 2025, mugihe yariko afata ibarabara rijana muri Tanzaniya.Umuryango wiwe, kubwawo, ubayeho mumubabaro, atamakuru ya Mworoha.

***Abanyagihugu babiri banyurujwe bamaze kunyuruzwa mu Gasebeyi, zone Buhoro, komine Mugina, mu ntara ya Bujumbura***

Abagabo 2 bo kumutumba Gasebeyi, muri komine Mugina, intara ya Bujumbura, barahagaritswe kuwa 30 Gitugutu 2025 n'abakozi b'igendereza, bafadikanije n'Imbonerakure.

Kuva ico gihe, imiryango yabo ntigira amakuru yabo yuzuye ubwoba bw'uko babuzwe irengero muri karere. Ab bagabo babiri, Egide Nishimwe, umukuru w'umutumba, hamwe n'umubanyi wiwe Ndikumana, banyurujwe abantu benshi babona.Kubwo abo, abapolisi barakikuje inzu zabo imbere yo kubatwara mu ngendeshwa itwagwa n'umukuru w'igendereza muri komine Cibitoke.Imiryango, inyuma yo kurondera heshi mu birindiro vy'abapolisi,nta nkuru n'imwe barose ku vyababayeko. Amasoko amwe y'igiplisi avuga ko abo bagabo babiri bacuditse n'umuhari w'abarwanyi Red Tabara, icemezo ciyamizwa n'ababegereye, bemeza ko bari bavuye muri CNL kugira baje muri CNDD-FDD.

Imbonerakure imwe yari mu babahagaritse izana "amakenga"kuvyo kwera kwabo, ibidahumuriza imiryango yabo, bikeka akabi kabishe. Uko kuburwa irengero kuri mu rukwirikirane rw'amahagarikwa asa n'ayo yiganywe muri aya mezi iMugina, aho abantu benshi barafashwe ata nuko

### *II.1.2. U KUNYURUZWA HAMWE N'UKUBURWA IRENGERO ( Ibikurikira urupapuro 10)*

umuryango wabo umenya aho bari. Musitanteri wa komine, Anicet Saidi, yemeza ko yamenyeshejwe amahagarikwa, ariko atazi uwabikoze. Mu Gasebeyi, ubwoba buriganje. Abahaba, batinya guterwa, baridoga amakenga yabo.

Abegereye ababuzwe irengero ntibihangana kandi basaba inyishu zabarongozi kuvyerekeye umutekano hamwe n'agateka k'abahagaritswe. Imiryango yizeye gusubira kubona abayo canke, n'imiburiburi, bamenye ivyababayeko. Abo babuzwe irengero baratuma abantu bibaza uruhara rw'abajejwe umutekano imbere y'abikekwa. Amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu asaba adahengeshanya amatohoza ku mahagarikwa aciye kubiri n'amategeko hamwe n'ugupfungira ahatazwi. Mukurindira, imiryango yo mu Gasebeyi batera akamo ku kumenyeshwa inkuru yose ishobora kubafasha gusubira gutora ababo babuzwe irengero.

## *II.2.U KWIYUMVANAMWO MURI VYOSE*

### *II.2.1.U KUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA, N'AYANDI MABI*

***Umugabo umwe yarakomerekejwe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega***

Ijoro ryo kuri uyu wa mbere rishira uwakabiri 27/10/2025 hafi isaha 21, ku mutumba hamwe na zone Buhiga yo muri komine KARUSI muri karatiye GATARE, umugabo azwi kw'izina rya BIMENYIMANA wo muri CNDD-FDD afise imyaka irenga 40, ava ku mutumba CUYA,zone BUGENYUZI komine KARUSI yaratowe amerewe nabi cane inyuma y'aho atemaguriwe imipanga n'abantu bataramenyekana aca arajanwa ku kigo c'ubuvuzi iBuhiga imbere yo kurungikwa ku bitaro Buhiga ariko yaciye arungikwa kubitaro vyitiriwe imyaka 50 vy'Ikarusi aho ari gushika uyu musi.

Amakuru ahegereye avuga ko yaba muri iki gihe muri iyo karatiye kandi ko yari umwubatsi akaba yakunda kwiruka inyuma y'abagore kandi yoba ariyo ntanduruko. Ukuri gutanguye kuja ahabona kubera isoko ryaho rivuga ko uwo mugabo yakomerekejwe n'Imbonerakure zitamenyekanye kuko imbere yaho, yari mu kabare arikumwe n'umugore adandaza umubiri yitwa M I, umunywanyi wa CNDD-FDD afise imyaka 30 aba muri karatiye Kigwati Rugogwe yo ku mutumba na zone Buhiga komine Karusi. Mugihe uwo mugore yari yamuhaye isango ry'isaha imwe ariko hagati aho iryo sango ryari ryahawe uwundi musore yitwa Josue,umunywanyi wa CNDD-FDD afise imyaka 30 umunyamabanga yigenga. Mu gihe Josue yaja ari munzu y'uwo mugore, kubera yari yamuhaye urupfunguruzo imbere bakiri mu bunywero aca atahana n'uwo wundi mugabo abo babiri baciye batana mu mitwe imbere y'uko Josue ahamagara Imbonerakure zaciye zitebuka kumufasha.

Iryo soko nyene rivuga ko twaye Bimenyimana muri karatiye Gatare aho bamusanze ariko aragoyagoya. Umugore nawenyene yarakomeretse kw'izosi hamwe no kw'ibere ry'ibubafu hamwe no mu kwaha, yarahunze aca afata ipikipiki yamushikanye iMuyinga aho ariko arivuriza. Josue yarahagaritswe n'igipolisi bukeye bwaho mu gatondo ariko yararekuwe ku wa gatanu 31/10/2025 vyongeye yarase kuvuga Imbonerakure bafatanije gukomeretsa abo bantu babiri.

## II.2.2. GUFATA KUNGUVU

***Umusore yafashwe kunguvu muri komine Kiganda***

Ku wa 27/10/2025, ku mutumba Nyarunazi, zone Rutegama, komine Kiganda, intara ya Gitega, umusore yarafashwe ku nguvu hafi isaha imwe y'ijoro. T.E, afise imyaka 15, umunyeshure wo mw'ishure shingiro Nyarunazi, yarahamagawe na Nizirazana Gabriel, afise imyaka, 46, umurimyi. Uwo yasavye uwo mwana ko bosangira urwarwa,ivyo yaciye yemera.

Umugabo yatanguye kuvanga urwarwa n'inzoga ikaze bita "Kick" hanyuma umwana aca araborerwa cane. Umugabo yamutwaye mu gashamba hanyuma aca aramufata ku nguvu amuciye inyuma.

Kubera nawe nyene yari yaborewe, yajanye n'umwana ariko we yari yasize ikoti yiwe ngaho. Ni mugihe yari agarutse kuyitora bukeye bwaho yiganira vyose abavyeyi. Uwikekwako icaha yarahagaritswe n'igipolisi kandi apfungiwe mw'ibohero ry'igipolisi iMuramvya kugira abazwe.

# III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA

## II.1.I HUNGABANA RY'UBUTUNZI

***Inyuruzwa ry'amatongo ya Reta,gukotesha mu manyanga hamwe n'inkwirikizi mbi ku banyagihugu baho muri komine Cibitoke***

Mu Rumonge, ahahoze ari indimiro Rugofarm, ubu hazwi kw'izina rya Nyakagunda, harahindaguritse mw'ikirimbiro ry'amatati hagati y'ibihangange bibiri vyo mu mugambwe uri ku butegetsi.

Kw'isonga ry'izo ndyane : amatongo ya Reta yanyurujwe, ugukotesha biteye amakenga, hamwe n'abanyagihugu banyazwe, bari mu marushwa n'inzara. Ku ruzuba rumena imbwa agahanga mu Rugombo, kw'iryo barabara ry'inkungugu rigana mu karere ka Nyakagunda, amakanda y'akahise keza aracahari; imiserege, icagatiye ivyatsi vyumye, vyibutsa ibihe aho abantu barima ibigori, ibiharage hamwe n'umuceri. Ariko uno musi,ayo matongo ni ayo abandi."Raba harya,"vyidogwa n'umurimyi mu maso izuba ryamubabaje."Cari ikivi canje.Ubu,sinshobora no kuhegera, ntagomba ko bangirira nabi. "Haraciye amezi menshi, intambara y'ubutegetsi yarabaye hagati ya Jean Pierre Niyimpa, umukozi wa reta wo hejuru mu kigo kijejwe ibidukikije, gukingira, uburimyi hamwe n'ubworozi (BEPAE), na Deo Nsabimana, batazira Muhumure, indongozi ikomeye y'umuhari ukomoka ku mugambwe Cndd-fdd mu ntara nshasha ya Bujumbura. Ivyo bagirizanya hagati yabo"ubusuma bw'amatongo ya Reta", vyarahabaye, ariko ni abahaba bikoreye imitwaro y'izo ndyane.

Amatongo ya Reta, naho biri uko azitiye n'urugo, yahindutse amatungo y'abigenga mu manyanga .Kubwo amasoko menshi y'abatware, abo bagabo babiri boba, ataburenganzira nabumwe, batwaye ibice binini vy'icahoze ari akarere ka Reta Rugofarm. Muri iki gihe, umwe wese asa n'uwukotesha amatongo yiwe ku mashirahamwe y'uburimyi, nka Sangwe, mbere no kubigenga. Ivyo vyavuyemwo vyihuta akaga : ikivi kimwe kenshi bagipangisha kubantu benshi. "Narishe 10.000.000fbu ku ma hegitari 3. Ngishika, abandi banyagihugu bari bamaze kuhagira indimo zabo. Udupapuro barihiyeko kandi turiko umukono wa Niyimpa, uwuramutswa BEPAE", bishikirizwa n'umurimyi umwe, biboneka ko yashavuye. Inkurikizi:impari zadutse kenshi hagati y'abo baharima. "Twaragwanye dukoresheje isuka hamwe n'umupanga!",bishikirizwa n'uwundi murimyi.Ibikomere hamwe no guhagarika biragwiriye, mugihe indyane hagati

y'abavuka gihugu zirangwa hejuru y'imirima.

Izo mpari zihindagurika zinyegeje ivya politike vyinshi : abacuditse babiri, kera bagona rimwe ,uno musi baryanira inyungu zikomeye. Amahera bavana mu gukotesha yashobora gushika ama miriyoni y'amahera y'amarundi. Ubwambe barimwo, Niyimpa na Nsabimana boba barahuye n'intambamyi mu kugabura inyungu. Umwe wese yagiriza uwundi kunyuruza no guhemuka." Bigitangura basa n'abarimwo. Ariko hamaze kujamwo amahera, ukwizerana vyaratumye", biserurwa n'isoko riva mu batwara mu ntara. Urwo rwanko ruranaduza n'amakenga ku baramutswa n'umugambwe uri ku butegetsi bamwe bamwe, bafise amakenga ko vyobacafuza. Imbere y'uburemere bw'ako kabi, parake ya Cibitoke yoba yarituwe kuri ivyo. Amatohoza yoba yarafise intumbero yo kumenya abatonye ku butegetsi:ni nde yatanze ayo matongo ? Ninde atoza ayo gukota ? Bayatanze bisunze iki ? Ariko rero,ku rubuga, abanyagihugu bagumana amakenga ku nyishu itarenganya. "Ibihangange ntibihanwa. Baruhura guhurira ku meza kugira babiheze,nk'uko vyamye,"bivugwa bukebuke n'uwuhaba. Abantu barasemerera basaba gusubiza akarere Reta hamwe no guha abahoze baharima.

Ku baba mu Rugombo,icuka ni kibi. Baratswe amatongo yabo,benshi barashobora kubivamwo kubera ubuzi butobuto."Twari abarimyi. Ubu dukorera abatwaye amatongo yacu", bishikirizwa n'umuvyeyi afise abana 5, mugihe hirya y'ako karere, inzara n'ishavu biragisibije. "Itongo ryari uburaro n'uburamuko vyacu. Kuva ubu, ni umurima wa poitike gusa", vyongeyeko umusore biboneka ko yashishwe".

Urubanza Rugofarm-Nyakagunda rurerekana neza ko uBurundi buriko buja ahatemba : iyo ngendo yo gushira mu minwe y'abigenga mu gacerere amatunga y'igihugu bikorwa n'ibihangange muri politike. Kubwo abarorerezi, ivyo bishira ahabona ukunyoganyoga kw'inzego hamwe n'ukudahana ku bakuru batunga kubera ba ntahonikora. "Urwo rubanza rurarengeye urwanko rusanzwe hagati y'abantu babiri", bishingwa intahe n'umusesanguzi wo mubigenga. "Ashira ahabona uko ibiturire hamwe n'indwano zo mu mugambwe z'amatungo biriko birasivya mu nzego z'umugambwe uri ku butegetsi". Muri uwo mwanya, abarimyi barushe kandi bakenye cane, barindiriye umusi ubutungane buzobasubiriza ivyo batakaje:amatongo yabo,agateka kabo na kazoza kabo.

Rugofarm, muntango, yashizweho kubakoroni b'ababirigi, yari umurima w'akarorero wa Reta, uri mu Rugombo, mu yahoze ari intara ya Cibitoke. Ubuhinga bwaho mu kwimbura ibifungurwa hamwe no mu bworozi vyari vyashoboye gutanga akazi hamwe n'ukwinjiriza imiryango imwe imwe. Ariko bukebuke, inyuma y'intambara y'abanyagihugu, amatongo yarasubiriye gutangwa canke aranyuruzwa,kenshi ku nyungu z'abakuru bo mu ntwaro na politike, bikuraho gutyo itunga rusangi ku nyungu z'abigenga.

***Kubura umwavu wa FOMI mu ntara ya Butanyerera***

Abarimyi bo mu ma zone Gatara, komine Matongo, zone Mubuga muri komine Ngozi na,zone Nyamurenza muri komine Kiremba hamwe n'ayandi ma zone yo muri Butanyerera bavuga ko barore umwavu muke ukorwa na FOMI. Kubwo abo barimyi, igice c'irima kimaze kugera kure mugihe barishe amahera yawo kera imbere y'igice C. Kubwo ivyabona vyo muri ayo mazone, abo barimyi babitse udupapuro barihiyeko twonyene atacizere co kuronka umwavu. Abo barimyi bo muri Butanyerera basaba buramatari kugira amatohoza kugira barabe ubushobozi amahiguriro y'umwavu mu Burundi bwo kuwukora bongere bawuronderere hanze y'igihugu.

## *II.1.I HUNGABANA RY'UBUTUNZI (Ibikurikira urupapuro 13)*

Abo barimyi baranegura ko ugutanga umwavu biheruka vyaranzwe n'ubunenge aho harose abatanze ibiturire.

Stany Niyongabo, atwara zone Gatara komine Matongo, asaba abarimyi gukoresha amase kugira ntibigende nabi.

Abarimyi bo muri komine Kirundo nabo nyene ntibarose umwavu warishwe kuva kera. Turi bamwe basaba umwavu wo mu gice C muri 2025 tutararonka mugihe hageze igice A. Kubwo ivyabona vyaho,ntacizere ko bazobaha mugihe n'abo mu gice A muri 2026 biboneka ko 30% y'abasavye batararonka. Abayatanga baregeranije udupapuro biyandikishirijeko baca babwira abasavye ko bazobatumirira gutora umwavu barishe kandi igihe c'itera kiragera batarabatumako ngo baze kuwutora.Ibibazo vy'uko umwavu uhari biguma atanyishu mu gihe uburimyi ari inkoramutima ku bantu baba mu Butanyerera.

## *IV. UGUSOZERA HAMWE N'INKEBUZO*

Umuhari Iteka uriyamiriza wivuye inyuma itituka ribandanya ry'agateka ka zina muntu mu Burundi kandi iranegura ukudahana abakora amabi.Usaba abarongozi b'uBurundi gufata ingingo zose zishoboka kandi uhimiriza ibikurikira:

**Kuri Reta y'uBurundi ko :**

-Yokora amatohoza yimbitse ku mabi y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu yongere ikwirikirane abayagirizwa,harimwo abatware,abapolisi,abasirikare hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi.

-Yoreka ubutungane bukigenga kandi ntibuhengame kugira bushobore guca imanza z'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu budahengamye.

-Yotegeka idatevye gufuta amatangwa hamwe n'amakoteshwa mu manyanga ku hahoze ari akarere ka Rugofarm.

-Yokwaka ibigwanisho Imbonerakure,yongere izibuze kumugaragaro kwitaba ibikorwa vy'igipolisi canke vy'umutekano w'abanyagihugu,kugira inzego zibifitiye uburenganzira zonyene zemewe n'amategeko zikingire igihugu n'abakibamwo.